
Uwo uri wese ubahirizwa

# UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU "ITEKA"

*Ryemejwe n'itegeko shikiranganji inomero 530/0273 ryo kuwa 10 Munyonyo 1994 risubiramwo itegeko nomero 550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma 1991*

## *Icegeranyo c'agateka ka Zina Muntu cihariye kw'ihohoterwa rifatiye ku Gitsina mu Burundi mu kiringo ca Nzero gushika Myandagaro 2025*

## *ABANA BAKIRI BATO, AHANINI BAKOREWE IVYAMFURAMBI N'URWARUKA RW'UMUGAMBWE URI KU BUTEGETSI MU BURUNDI*






***Mu kwibuka umupfasoni Marie Claudette Kwizera, umunyabigega w'umuhari Iteka yanyurujwe ku wa 10 Kigarama 2015. Kuva muri Kigarama 2015 gushika kuwa 31 Myandagaro 2025, n'imiburiburi abantu bashika ku 835 banyurujwe batohojwe n'umuhari Iteka, abashika 85 barasubiye kuboneka abandi 750 gushika ubu barabuzwe irengero. Umugwi w'ishirahamwe mpuzamakungu ukorera ku babuzwe irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi 252[1] babuzwe irengero.***

[1] https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54

## *IMPFUNYAPFUNYO*

***AGNU*** : *Inama nkuru y'ibihugu vyunzubumwe*

***CDS*** : *Ikibu c'ubuvuzi*

***CECI*** : *Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora mw'ikomine*

***CEDEF*** : *Amasezerano yo gukuraho ikumirana ryose ribaho rikorerwa abakenyezi*

***CENI*** : *Umugwi w'igihugu wigenga ujejwe gutegura amatora*

***CEPI*** : *Umugwi wigihugu wigujwe guteguta amatora mu ntara*

***CNDD-FDD*** : *Inama y'igihugu iharanira intwaro rusangi-Urunani rugwanira intwaro rusangi*

***CNL*** : *Inama y'igihugu iharanira umwidegemvyo*

***DESC*** : *Uburenganzira ku butunzi,imibano hamwe n'imico kama*

***ECOFO*** : *Ishure shinguro*

***FRODEBU*** : *Urunani ruharanira intwaro rusangi mu Burundi*

***OPJ*** : *Inyamiramabi*

***ONU*** : *Ishirahamwe ry'ibihugu vyiyunze*

***PNB*** : *Igipolisi c'igihugu c'uBurundi*

***RDC*** : *Repubulika iharanira intwaro rusangi muri Kongo*

***SNR*** : *Igendereza ry'igihugu*

***TGI*** : *Sentare nkuru*

***UE*** : *Ubumwe bwa Burayanion*

***UPRONA*** : *Urunana ruharanira iterambere ry'igihugu*

***VBGs*** : *Amabi afatiye kugitsina*

***VSBGs*** : *Amabi yogufata ku nguvu kandi afatiye ku gitsina*

| Urutonde rw'ibirimwo | Urupapuro |
|---|---|

*IGICE CA MBERE : INCAMAKE, IBISABWA, INTUMBERO Y'ICEGERANYO HAMWE AMATEGEKO YO MUBUTUNGANE ......................................................1*
*I.1. INCAMAKE Y'IGIKORWA ........................................................................ 1*
*I.2. IBISABWA ............................................................................................ 2*
*I.3.INTUMBERO Z'ICEGERANYO ................................................................ 4*
*I.3.1.INTUMBERO NYAMUKURU .................................................................. 4*
*I.3.2. IZINDI NTUMBERO.............................................................................. 4*
*I.4. AMATEGEKO AKINGIRA AGATEKA K'ABAGORE N'ABANA..................... 4*
*I.4.1.AMATEGEKO MPUZAMAKUNGU KU GATEKA K'ABAGORE N'ABANA ...................................................................................................4*
*I.4.2. AMATEGEKO Y'IGIHUGU KU GATEKA K'ABAGORE N'ABANA ........... 5*
*IGICE CA KABIRI : UMWIHWEZO KU MABI AFATIYE KU GITSINA MU BURUNDI MU KIRINGO CA NDAMUKIRA-MYANDAGARO 2025. ................ 6*
*II.1.IGICAPO C'ABANA BAKOREWE IVYAMFURAMBI N'AYANDI MABI AFATIYE KU GITSINA ........................................................................... 6*
*II.2. IGICAPO CEREKANA ABAKUZE BAKOREWE IVYA MFURAMBI N'AYANDI MABI AFATIYE KU GITSINA. ............................................................ 7*
*IGICE CA GATATU : GUSOZERA ............................................................. 9*

## *IGICE CAMBERE : INCAMAKE, IVYIPFURZO, IHANGIRO RY'ICEGETANYO HAMWE N'UBUTUNGANE*

### *I.1. INCAMAKE Y'IBIKORWA*

*Mu mwaka wa 2024, umuhari Iteka watororokanije abantu bishwe bashika 447, harimwo 226 batowe ibiziga. Ku rundi ruhande, abantu 144 baratohojwe ko bakorewe amabi afatiye ku gitsina, hamwe n'abana bato 110 n'abagore 29 bafashwe ku nguvu. Vyongeye, haharurwa abantu 39 banyurujwe canke babuzwe irengero, 36 baborejwe igufa,hamwe na 235 bahagaritswe biciye kubiri n'amategeko.*


Naho biri uko, umwaka wa 2025 nta mpinduka ziboneka wazanye canke akoyokwe kibonekeza. Amabi afatiye ku gitsina, cane cane ayakorerwa abagore n'abana, aguma ari ikibazo kiraje ishinga mu Burundi, vyerekanwa n'urugezo ruteye ubwoba rw'amabi abera mu mazu hamwe n'ugufata ku nguvu. Imiyabaga yiga, yagize izo ngorane ibikorewe n'abakuze, kenshi baratwara imbanyi, bikabatuma rimwe na rimwe bubaka ku nguvu nk'inyishu, kenshi ku gitsure cumuryango. Abakobwa bagira amakuba yuzuye yo gufatwa ku nguvu, bikaruhira kuvamwo kwubaka ingo batabishaka. Abo bagore b'imiyaga bahindukiri mu gukorora imbanyi canke kwica abana, babonye badashobora kuriha ivyankenerwa hamwe n'amashure y'abana babo.

Vyongeye, abana bahura n'amabi atandukanye, haba amahohoterwa yo ku rukoba, ubwicanyi bijanye no gukoroza inda hamwe n'amahohoyerwa afatiye ku gitsina. Naho hari itegeko ry'igihugu ryategerezwa gukingira abagore hamwe n'abana, kurishira mu ngiro biraca goye cane, kenshi na kenshi kubera kubura ihimirizwa hamwe no kudahanwa kuri abo babikora.

Icegeranyo c'umuhari Iteka ku vyatororokanijwe hagati ya Nzero na Myandagaro 2025, cerekana abantu 91 bahuye n'amabi afatiye ku gitsina ku butaka bw'igihugu, muribo abashika 73 bafashwe ku nguvu n'aho nyene icuka rikoreramwo kigoye. Ivyatororokanijwe biri ku gicapo gikurikira vyerekana ko intara ya Burunga iza kw'isonga, kuri 26 bahuye n'ihohoterwa harimwo 24 bafashwe ku nguvu. Gutyo ikwirikirwa n'intara ya Butanyerera ifise 23 bahohotewe harimwo 19 bafashwe ku nguvu igakurikwirwa n'intara ya Gitega ifise 18 harimwo 12 bafashwe ku nguvu. Ubwanyuma Buhumuza irahereza kuri 2 bahohotewe bifatiye ku gitsina harimwo 1 yafashwe ku nguvu.

***I.1.1 Igicapo c'ivyashizwe ahabona ku mahohoterwa afatiye ku gitsina***


***Igicapo 1 : Igicapo cerekana ahanini ivyashizwe ahabona ku mahohoterwa afatiye ku gitsina mu Burundi mu kiringo ca Nzero-31 Myandagaro 2025***




Mu mwihwezo wawo w'ivyatororokanijwe,umuhari Iteka uramenyesha ko ayo mabi y'amahohoterwa afatiye ku gitsina yakozwe ahanini n'imirwi itandukanye : abashika 22 bari ku gatwe k'imbonerakure « urwaruka rw'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD », 1 yabikorewe n'abagizi ba nabi batamenyekanye, 2 vyakozwe n'abihanira,60 bava mu yindi migwi, hamwe n'umwe yegukiye ku bapolisi. Igicapo birikumwe musi cerekana ko hariho amabi yakozwe n'umugwi wiswe « abandi », urimwo abagirizwa batandukanye nk'abadandaza, abigisha, hamwe n'ababanyi.

***I.1.2. Igicapo cerekana abakoze amahohoterwa afatiye ku gitsina.***

***Igicapo ca 2 : Igicapo cerekana abakoze amahohoterwa afatiye ku gitsina mu Burundi mu kiringo co kuva muri Nzero gushika 31 Myandagaro 2025***




Birakenewe kandi ko tumenya ko,muri vyinshi vyabaye, abikekwako ivyaha ni abanywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD. Umuhari Iteka ushira ahabona ukudahana gukikije ayo mabi ukongera ukavuga kw'ibura ry'ubutungane ku bagize ivyago, bituma bamererwa nabi cane kandi bigatumwa bakumirwa.

***I.2.IBISABWA***

***Kubumwe bwa Buraya hamwe n'abandi bafasha ubuhinga n'ubutunzi bw'uBurundi :***

*Ku mabi abandanya mu myaka cumi hamwe no guhakwa kunyuka kw'inyifato y'agateka ka zina muntu muri kino kiringo c'inyuma y'amatora y'abashingamateka, abajenama ba komine,abakenguzamateka hamwe n'abakuru b'imitumba muri 2025 yibwe hamwe n'imbere y'amatora y'umukuru w'igihugu muri 2027 :*

- *Gusubiramwo ivyo busaba mu gutanga infashanyo kuri iyo reta y'igikenye kugira bayigondoze itegure ibiganiro bihuza bose mubo vyega kugira habe inyishu irama kuri ako kaga ka politike;*
- *Kwivanga gose ku ruhande rwo kubandanya ikiringo c'umuvugizi adasanzwe w'ibihugu vyunze ubumwe hamwe n'iyugururwa ku mugaragaro rya komisariya nkuru y'umunyamabanga mukuru wa'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe mu Burundi kugira ikurikuranire hagufi yongere ikinge ibomborabombora mu cuka kibi hagati y'abatavugarumwe na Reta bose hamwe n'umugambwe uri ku butegetsi, CNDD-FDD;*
- *Gushigikira amashirahamwe,inzego hamwe n'inani ziharanira agateka ka zinamuntu zikorera mu Burundi.*

***Ku mugwi wa Reta zunze ubumwe mu guharanira agateka ka zina muntu (HCDH) :***

*Hisunzwe itituka rikabije ry'agateka ka zina muntu hamwe n'amabi ashobora kunyuka muri kino gihe c'inyuma y'amatora y'abashingamateka, abajenama ba komine,abakenguzamateka hamwe n'abatwara imitumba ya 2025 yibwe n'imbere y'amatora y'umukuru w'igihugu 2027 :*

- *Kongera ikiringo intumwa idasanzwe y'ibihugu vyunze ubumwe ku nyifato y'agateka ka zina muntu;*
- *Kugurura inzu ikoreramwo ugwego rw'umunyamabanga mukuru wa'ishirahamwe ry'ibihugu vyiyunze mu Burundi kugira rukwirikiranire hagufi kandi rukinge kunyuka ku cuka kibi kiri hagati y'abatavuga rumwe na Reta bose hamwe n'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD;*

***Ku baserukira umugwi ukorera ku manyuruzwa;ku mugwi ukorera ku gupfunga bidakwirikije amategeko ; intumwa idasanzwe ku nyifato y'agateka ka zina muntu mu Burundi;intumwa idasanzwe ikorera ku bwicanyi ndengera butungane hamwe n'umugwi ugwanya kuborezwa igufa :***

- *Kubandanya bakwirikiranira hagufi ukw'agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi;*
- *Gukorana n'amashirahamwe adaharanira inyungu za politike kugira bamame bashobore gukinga ko ibara rigwa.*

***Ku mugwi w'igihugu wigenga uraba ivyo agateke ka zinamuntu :***

- *Kugira amatohoza yimbitse ku mahohoterwa afatiye ku gitsina yabaye ndase canecane ku bana mu gihugu cose kugira bagwanye ayo mabi atera ihahamuka ridahera mu mitima yababikorewe hamwe n'imiryango yabo.*

***Ku mushikiranganji w'ubutungane,agateka ka zina muntu hamwe no kunganisha ibitsina :***

- *Gushira mu butungane abikekwako ako kabi karondera cane cane abana hamwe n'imiyabaga y'igihugu kandi bafashe abahuye n'izo ngorane bose.*

***Ku mashirahamwe yigenga hamwe n'ayadaharanira inyungu za politike :***

- *Gushira imbere umwumvikano hamwe no gutunganya ivyokorwa kugira hashike kw'ihangiro bihaye neza kandi badataye umwanya.*

### *I.3. INTUMBERO Z'ICEGERANYO*

#### *I.3.1. INTUMBERO NYAMUKURU :*

Guterera mu gukinga itituka ry'ukuntu agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi muri kino kiringo c'inyuma y'amatora y'abashingamateka, abajenama ba komine hamwe n'abatwara imitumba yo muri 2025 n'imbere y'amatora y'umukuru w'igihugu muri 2027.

#### *I.3.2. IZINDI NTUMBERO :*

⇒ Kwerekana aho ibintu bigeze mu vyerekeye ayo mahohoterwa afatiye ku gitsina abandanya kandi araje ishinga cane cane ivyo gufata ku nguvu.

⇒ Kuburira abaseru amakungu bari iBujumbura, ubumwe bwa buraya hamwe n'inama y'agateka ka zinamuntu y'ibihugu vyunze ubumwe ku ngendo ibandanya y'amabi akorerwa abantu kandi ashobora kunyuka kuri iyi ntwaro yagacinyizo yavuye mu matora y'abashingamateka, abajenama ba komine hamwe n'abatwara imitumba yibwe yo muri 2025 be n'integuro y'itora ry'umukuru w'igihugu muri 2027.

⇒ Guhimiriza CNIDH gukora amatohoza yimbitse ku mabi afatiye ku gitsina cane cane ayo gufata ku nguvu asiga amahahamuka adahera mu mitima y'abana canke imiyabaga yahuye n'ayo mabi hamwe n'imiryango.

⇒ Kugondoza ubushikiranganji bw'ubutungane,bw'agateka ka zina muntu hamwe no kunganisha ibitsina gushira mu butungane abikekwa ko ayo mabi atumbera cane cane abana n'imiyabaga y'igihugu hamwe no gusanasana abagize izo ngorane.

### *I.4.ITEGEKO RIKINGIRA AGATEKA K'ABAKENYEZI N'AKO ABANA*

#### *I.4.1. ITEGEKO MPUZAMAKUNGU RIHARANIRA UBURENGANZIRA BW'UMUKENYEZI HAMWE N'UMWANA*

Uburundi,nk'igihugu cipfuje gukengira agateka k'umukenyezi n'ako umwana, bwarashize umukono ku masezerano mpuzamakungu meshi. Muri ayo, dushobora kuvuga amasezerano yo gukuraho ikumirwa ryose ryerekeye abagore ryemejwe na AGNUS kuwa 18 Kigarama 1979 hamwe kandi ibihugu bishika 100 vyarashize ko umukono muri 1990, harimwo uBurundi ku wa 8 Nzero 1992, hamwe n'amasezerano ajanye n'agateka k'umwana uburundi bwasinye kuwa 19/10/1990, aha umwana uburenganzira bwo gukingingwa amabi, gufatwa nabi hamwe no ku mabi yose hamwe no kugirwa umucakara; uruhusha gokwirikirana abana bashizwe muntambara; hamwe no kubuza urudandazwa rwabo; ubuhumbu hamwe no kwerekana amareresi y'ibiterasoni ku bana; be n'amasezerano ya Afirika ku gateka n'ukubaho neza kw'abana, vyemejwe n'uBurundi ku wa 28/6/2004. Ibwirizwa ry'uburundi naryo nyene mu ngingo yaryo 44 rivuga ko « umwana wese afise uburenganzira bwo gukorerwa ikintu cose kugira amererwe neza, ku magara, ku mutekano hamwe no gukingirwa amabi, gufashwa muri vyose kandi ntakoreshwe ibiruhisha .»

Ayo masezerano mpuzamakungu ngirakamaro azana inkomezi zo kurwanya intumbero yose yo gukumira ku bakenyezi hamwe n'abana. Hisunzwe izo ngingo mpuzamakungu, Reta y'uBurundi itegerezwa guteza imbere ikongera igakingira agateka k'abagore n'abana. Ivyo bifise inginngo zigamije kurandurana n'imizi ikumira iryo ariryo ryose, kubungabunga umutekano hamwe no gukingira amabi yose, mbere no kubigisha hamwe no hubavuza birimwo.

Hejuru y'ayo masezerano abiri nyamukuru, igihugu kandi kigengwa n'amasezerano menshi afise intumbero zibereye. Ayo masezerano ari mu bisata vyinshi, nko kurwanya urudandazwa rw'abantu, gukinga ishurashuzwa ry'abana no guteza imbere abakenyezi muri politike n'imibano. Ayo masezerano atanga intumbero y'ubutungane bukenewe mu kugwanya ikumirwa, gukinga amabi hamwe no kubahiriza agateka ntayegayezwa nk'indero n'amagara. Kubera utwo twigoro tubandanya, uBurundi bugamije kwubaka kazoza kuri bose kandi kubahiriza agateka k'abakenyezi n'abana.

### *I.4.2. ISHUSHO Y'AGATEKA K'UMUKENYEZI HAMWE N'AKO UMWANA KU RWEGO RW'IGIHUGU*

Uburundi bwaremeje ibwirizwashingiro mu 2005 ringanisha abagabo n'abagore. Iryo bwirizwashingiro ryazanye impinduka muri kahise k'igihugu mu guteza imbere biboneka agateka hamwe no gukingira abakenyezi no murya 2018. Umwaka wa 2009 wabaye igihe nyaco, kubera Reta y'uBurundi yaremeje amasezerano kurandurana n'imizi amakumirwa yose akorerwa abagore (CEDAW) hamwe n'ibiyaherekeza, igikoresho mpuzamakungu barabirako mu gisata co guteza imbere hamwe no gukingira agateka k'umugore. Iryo yinjira ryerekana kwiyemeza kw'igihugu mu guteza imbere kunganisha ibitsina hamwe no kurwanya ubusumbasumbane n'amakumirwa yene ayo. Kugira bahe agaciro amasezerano mpuzamakungu, uBurundi bwarashizeho itegeko rikomeye rigamije gukingira agateka k'abagore n'abana. Rimwe muri ayo mategeko ni itegeko rigenga ingo n'imiryango, rigamije kunganisha abagize umuryango,canecane hagati y'abagabo n'abagore. Iryo tegeko riremera kandi agateka k'abana kandi rikaraba neza ko batokumirwa canke ngo bakorerwe amabi mu miryango yabo. Vyongeye, uBurundi bwaremeje kandi itegeko rigwanya amabi afatiye ku gitsina. Iryo tegeko rirandurana n'imizi amabi yose iyo ava akagera akorerwa abakenyezi, haba ku rukoba canke canke ku mibereho. Riritegekanya ibihano bikomeye ku bakora ayo mabi kandi rigatanga imfashanyo hamwe no gukingira abagize ingorane. Ariko rero,naho hari iterambere ry'amategeko hamwe n'amasezerano mpuzamakungu y'igihugu, ingorane zikomeye zigumaho mu vyerekeye gushira mu ngiro ayo mategeko n'ugukingira agateka k'abakenyezi n'abana.

Ni ngombwa ko hakomezwa ingingo zo gukwirikirana no kugumizako ijisho kugira biboneke neza ko ayo mategeko akwirikizwa neza ku rubuga.


## *IGICE CAKABIRI : UKO AMABI AFATIYE KU GITSINA YIFASHE MU BURUNDI MU KIRINGO CO KUVA MURI NZERO GUSHIKA MYANDAGARO 2025*

### *II.1. Igicapo cerekana abana bakorewe amabi yo gushurashuzwa n'ayafatiye ku gitsina*

***Igicapo ca 3 : Ikigara cerekana abana bahuye n'amabi yo gufatwa ku nguvu hamwe n'amabi afatiye ku gitsina yabonetse mu Burundi mu kiringo co kuva Nzero gushika 31 Myandagaro 2025***

Muri kino kiringo cakino cegeranyo, twomenya ko mubantu 91 batohojwe ko n'umuhari Iteka nk'abahuye n'amabi yo gufatwa ku nguvu n'ayafatiye ku gitsina, igiharuro giteye ubwoba c'abantu 71 ni abana bato kandi bafise imyaka iri musi ya 10.

Ivyo biharuro bishira ahabona uko ako kabi kameze.Muri abo bana 71 bagize amakuba, abashika 64 bafashwe kunguvu, ibigize ihohoterwa rikabije kandi ritemewe mu mateka yabo.




***Ibivyerekana Cas :***

***Ak1:*** *Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 15/5/2025 ivuga ko ku wa 7/5/2025, ku mutumba Mutambara, komine n'intara ya Rumonge,M.N, afise imyaka 6 yarafashwe kunguvu.*

*Kubwo ivyabona,uwikekwako icaha yitwa Didace Ndayishimiye,yubatse kandi w'umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD, arongoye urunani rw'urwaruka ku mutumba wa Kanyenkoko. Uwo yari afise inzu ku kirindiro c'impunzi c'iMutambara kandi yari yagiye kuyiraba. Yaciye yikika mu kiza ahamagara uwo yononye mugihe yarikumwe n'abandi bana aca aha amahera uwo mugwi ngo baje kugura imbombo aca amuhamagara munzu kugira amwonone. Abavyeyi babimenye mugihe bariko baroza umwana hanyuma aca aravigana. Uwikekwa ko icaha yari yamaze kugenda. Igipolisi caragiye kumurondera mugihe umwana yatwawe ku kigo Humura kugira bamukingire ingwara.*

***Ak2 :*** *Ku wa 21 Ntwarante 2025,C.,agakobwa gafise imyaka 9 karafashwe ku nguvu na Richard, urwaruka rw'Imbonerakure, umubanyi wiwe wo ku mutumba Buheka muri komine Nyanza-Lac, intara ya Makamba. Kubwo ababanyi, kuva ico gihe ako kana gafise se agengana ubumuga bwo mu mutwe ntiyavuwe kandi ubu arwaye ingwara zo mugitsina harimwo no kuva mamaraso mu gitsina. Abajejwe intwaro ku mutumba boba barateye ubwoba umuryango, bawutegeka kudashengeza uwabikoze w'umunywanyi w'umuhari w'urwaruka rw'Imbonerakure ku gacimbiri Maramvya ko muri komine Nyanza-Lac intara ya*

*Makamba. Abatware batumwa urutoke ni umukuru w'agacimbiri Maramvya yitwa Niyukuri hamwe n'umukuru w'umutumba Buheka, Celestin Bukuru. Naho hari imipango y'ababanyi, uwikekwa ko akabi ntaco yinona ariko munyuma yoba yarazibukiriye aburiwe n'abo batware. Nyina wiwe, ntahonikora atagira uburyo nabukeya, ararira igihe cose ababanyi bamubajije agakobwa kiwe. Ubuhinga bwo kuvuza ivyo ikirundi bwoba bwarakoreshejwe mu kuvura uwo yagize ivyago.*

***Ak3 :** Ku wa 11 Ntwarante 2025, hafi igihe c'isaha 7, ku mutumba Kivoga, komine Mutaho n'intara ya Gitega, N.A Bafise imyaka 4 yarafashwe kunguvu na Ndayikengurukiye Come, afise imyaka 40 yiyita « Ntibakorako »muri komine Mutaho. Kubwo abavyeyi b'uwagiriwe nabi, mugihe umwana yari avuye kwa inakuru aba ku m100, uwo yamufashe yamusavye ko bojana musi y'umusozi (ku mucamo) gutora ibigorigori. Bahashitse, yaramufashe kunguvu aca amutera ubwoba mukumubwira yuko akomye induru, aca amuca izosi ubwo nyene. Kubwo abo bavyeyi nyene, inyuma y'ayo mabi, yaramuretse aragenda amubwira ko yiganye ivyamushikiye, azokwicwa umusi umwe.*

*Ashitse muhira, nyina wiwe yarabonye ko umwana afise ingorane zo kwiyunguruza kandi amaraso yaratemba ku maguru yiwe, yarabajije umwana ivyabaye kandi nawe yaruhiye kuvyigana vyose mukudomako n'izina ry'uwabikoze. Ubwo nyene, abavyeyi biwe hamwe n'umukozi w'umuremeshakiyago baratatse igipolisi baca batwara umwana ku bitaro vy'iMutaho.*


***Ak4** :Ku wa 28 Ruhuhuma 2025,umumwana w'umukobwa D.I afise imyaka 8, umunyeshure mu mwaka wa 2 w'ishure shingiro Mudusi,yarafashwe ku nguvu n'umwigisha wiwe, Mbarumuhito Ferdinand, afise imyaka 45, ku mutumba Mudusi muri komine Gatara y'intara ya Kayanza. Kubwo abavyeyi b'uwo, umwigisha yarahenze agakobwa mu kumusaba ko yorindira gato abandi banyeshure basohotse, hanyuma amujana inyuma y'umwango aca atangura kumukorako mubwami bw'abigeme kandi ku buryo budasanzwe. Uwo yarakomye induru atabaza kandi yatabawe n'ababanyi b'ishure.*

*Umwigisha yarahunze, ariko yarakurikiranywe kandi yarafatiwe mu mwaba wa Mudusi, Yatwawe n'abanyagihugu ku kirindiro cakomine ya Gatara, hanyuma ahabwa umushikiriza manza mukuru wa Repubulika. Mu Kayanza, Isaac Ningabira, yamupfunze ic'amaso muri komisariya ya polisi yo mu Kayanza. Uwagize ivyago yaravuuwe ku kigo c'amagara y'abantu Maramvya, hanyuma arungikwa ku kigo Seruka afashijwe na Nshimirimana Leoncie, aserukira ishirahamwe Murekerisoni riharanira agateka k'abana mu Kayanza.*

### *II.2. Igicapo cerekana abakuze bafashwe ku nguvu hamwe n'ihohoterwa rifatiye ku gitsina*

### *Igicapo 4 : Ikigara cerekana abakuze bagize ingorane zo gufatwa kunguvu hamwe n'amabi afatiye ku gitsina yabonetse mu Burundi mukiringo caNzero gushika ku wa 31 Myandagaro 2025*

Muri kino kiringo,umuhari Iteka waharuye abantu 20 bakuze bakorewe amabi afatiye ku gitsina harimwo 5 bafashwe ku nguvu na 15 bahohotewe bifatiye ku gitsina.Intara ya Gitega niyo vyakozeko gusumba izindin'abantu 9 harimwo 3 bafashwe ku nguvu na 6 bakorewe ihohoterwa rifatiye ku gitsina,igakurikirwa na Butanyerera abantu 7 harimwo 2 bafashwe ku nguvu na 5 bahohotewe bifatiye ku gitsina.Bujumbura ababikorewe ni 2,kandi ubwanyuma haza Burunga na Buhumuza aho imwe yose hagize ingorane umuntu umwe umwe.




***Ikinyerekana :***

***Ak1 :*** *Kuwa 9 Ntwrante2025, mu nyubakwa y'ingenzi Hope 2 muri komine n'intara ya Muyinga, G.N yarashoboye kugwanya ubusuma na Shabani Nimubona,umukuru w'Imbonerakure mu ntara ya Buhumuza.*

*Abantu babibonye biganye ko ko kuwa 28/3/2025, Shabani Nimubona yaje kuri iyonzu y'ingenzi arikumwe n'uwundi mugabo,baca bakirwa na N.ata nakimwe gitangaje. Ku wa 29/3/2025, Shabani Nimubona yaragarutse wenyene kuri iyonzu y'ingenzi mu ngendeshwa yiwe ifise ibiyo bitabonerana. Yabajije abacunze umutekano ko umukobwa w'umututsikazi w'iBururi akorera ho ariho ari. Yarabaturubitse abategeka ko bamuhamagara, hanyuma ashitse, yamwurije mu modoka yiwe ku nguvu. Shabani yatanguye kumukorako ku bihimba vy'irondoka aca amubwira kwambura ipantaro. N.G yasavye akanya gato kugira yitegure aca ariyugarana mu cumba.Yaciye ahamagara umukoresha wiwe aca aza kumurondera mu modoka yiwe kugira amujane kwinyegeza ahantu atamutora. Gushika ku wa 4/4/2025, Shabani Nimubona yaguma aza kw'iyonzu y'ingenzi imisi yose uko bukeye uko bwije kugira arabe ko yagarutse. N.G hamwe n'umuryango wiwe babayeho mu gahinda kenshi, batinya ko bashobora kubona ibara. « Yaratowe nk'umushingamateka wo mu ntara ya Buhumuza mu matora yo kuwa 5/6/2025 »*

***Ak2 :*** *Umupfasoni Nshimirimana Fides,afise imyaka 34 kandi aba ku mutumba Mwumba muri zone Gitongo, komine Bugendana mu ntara ya Gitega, yarakomerekejwe n'umugabo wiwe mw'ijoro ryo ku wa 22/7/2025.*

*Kubwo ivyo ababanyi bavuga,umugabo wiwe Nibaruta Jean Marie yaramukubise cane, kandi igisho ryiwe ry'ibubafu ryarakomeretse cane. Abantu babibonye bigana ko iryo hohoterwa ryabaye mugihe Nibaruta yari yaborewe, ibikunda kuba kenshi iyo atashe yaborewe. Muri ivyo bihe, Fides ategerezwa kenshi kurara ahandi kugira yikingire.*

*Igihe ababanyi bumva induru,baraje kumufasha baca bamujana ku bitaro vy'iMutaho kugira avurwe vyihuta. Muri uwo mwanya, umugabo wiwe yarahunze gushika ubu ntaraboneka.*

***Ak3 :*** *Ku wa 29/1/2025, hafi igihe c'isaha 1 y'ijoro, umugore akiri muto,Josiane Niyonkuru yarishwe bunyamaswa na Edouard Hagabimana, umudandaza afise imyaka 35, umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD, muri karatiye Magarama yo mu ntara ya Gitega.*

*Kubwo uwutwara karatiye, Nzibarega Leandre, uwo yagize ivyago yari yiriwe mu ruganda ayo yakora nk'uwufasha abubatsi. Hafi igihe c'isaha 11, Edouard yaramuhamagaye kugira amusabe ko yorara iwe. Haciye umwanya nk'igihe c'isaha 2, Edouard yarahamagaye umuvukanyi wiwe kugira amusabe azekumufasha gukura ikiziga munzu iwe.*

*Umuvukanyi wa Edouard yaciye ataka uwutwara karatiye,nawe ahamagara igipolisi. Bahashitse basanze ikiziga ca Josiane caciwe izosi mu bwogero. Kubwo ivyabona, uwo yari yafashwe ku nguvuimbere yo kwicwa. Edouard Hagabimana yarahagaritswe ubwonyene aca ajanwa mw'ibohero rya komisariya y'intara, mugihe ikiziga ca Josiane catwawe mu buruhukiro bw'ibitaro Bethaniya vy'iSonga. Urubanza rw'ikibiriraho rutegekanijwe ku wa 1/2/2025.*

*Ni ngombwa ko tumenya ko Edouard Hagabimana yibana kuva mu ntango z'ukwezi kwa Nzero, inyuma y'indyane n'umugore wiwe. Uguhamba Josiane bizoba umuryango wiwe,uri iMwaro, ushitse iGitega.*

***Ak4 :** Ku wa 8 Rusama 2025, ku mutumba Rwuya, komine Mbuye, intara ya Muramvya, Bizimana Anitha, afise imyaka 34, umurimyi, yubatse na Niyondiko Laurent yarafashwe ku nguvu n'abagabo 2, bose ababanyi kumutumba umwe. Kubwo abavyiboneye, Anitha yari yasangiye inzoga y'ikirundi na Nsavyimana Dedith, afise imyaka 38 na Nzitunga Celeus, afise imyaka 40 bose b'abarimyi kandi abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD, ku gasoko k'iRwuya ku metero 500 zo muhira iwe. Abo bagabo 2 bamusavye ko yoberekeza. Yaremeye. Kubwo abo nyene babibonye, bashitse iruhande y'agashamba hafi yo muhira iwe hafi igihe c'isaha 1, bamutegetse kwambura kandi bace baryamana,ivyo yaciye yanka.Baramuboshe bakoresheje igitambara ciwe baca bamufata ku nguvu bakuranwa.*

*Bahejeje kubikora, yarashoboye gukoma akaruru kashwangamuye ababanyi. Abo nabo baraje basanga ari gusa. Bukeye bwaho mu gatondo, yarashoboye kuvuga abakoze iryo bara kuko yari abazi. Yarajanywe ku bitaro vy'iMuramvya, kandi ibipimo vyo kwa muganga vyaremeje ko yafashwe kunguvu. Umugabo wiwe yaragiye kuri komisariya ya komine Mbuye kwitwara, inyamiramabi Adjudant major Ndikumana Salomon yarashoboye guhagarika Nitunga Celeus mugihe uwundi Nsavyimana Edith yahunze. Uwikekwako icaha ubu ari mw'ibohero rya Mbuye kugira abazwe kandi igipolisi kiriko kirondera uwo wundi yikekwako icaha.*

## *IGICE CA GATATU : UGUSOZERA*

*Mu Burundi, kugwanya amabi afatiye ku gitsina biguma ari ingorane ikomeye cane, naho nyene utwigoro tw'abarongozi hamwe n'amashirahamwe yigenga tuhari. Kubona ayo mabi adahera bisigurwa ku ruhande rumwe no kudahana abikekwa ko icaha kandi imico imico yatosekawe cane, n'aho amahimiriza ku bantu bagize ingorane, biteza isoni kenshi ababikorewe kandi banka kubashengeza bagaca ahubwo bahitamwo kuvyumvikana. Vyongeye, ubusumbasumbane bw'ibitsina birahohosha abagore n'abakobwa, bigatuma bageramirwa gose n'amabi atandukanye, nko gukubagurwa bifatiye ku gitsina hamwe no gufatwa ku nguvu. Ibintu birunyuka kandi n'ishusho y'amatati hamwe n'uruhagarara rusinzikaza inzego kandi bikabuza abakorewe ivyaha gushikira ubutungane.*

*Ku ruhande rw'amagara,abajejwe kubitaho kenshi ntibakwiye canke bagoye gushikira,bikagoza isanura ry'umubiri hamwe n'imyitwarire y'abagize ingorane.Ku rundi ruhande, kutuma urutoke ababikorewe mu kibano iguma ari intambamyi nyamukuru, bikabuza benshi mubagize ingorane kwitwara canke kurondera imfashanyo.*

*Kubwo uburambe bwawo,umuhari iteka ubona ko gutororokanya ibiharuro iguma ari ingorane, bikabuza gutahura neza aho bigera kandi bikagorana gushiraho integuro nyazo zo guhasha ayo mabi. Inzira itwara kw'igabanya rirama ry'amabi afatiye ku gitsina isaba ubugombe bwa politike bukomeye, guhimiriza vyuzuye abanyagihugu kandi gufasha vy'umwihariko ababikorewe. Gukorera hamwe n'abo vyega baho, abo mu gihugu n'abo mu makungu birakenewe kugira hashirweho imikenyuro nyayo,guteza imbere ukunganisha ibitsina hamwe no gukomeza ibijanye no gukinga,mu ntumbero yo kugira kazoza katagira amabi kuri bose.*